**JESUS GIVES ETERNAL LIFE**
**JOHN 5:1-18**
Lesson 60
Memory verse: "*There is salvation in none other, for neither is there any other name under heaven that is given among men by which we must be saved.*"
**Acts 4:12**

**YESU NIWE ATANGA UBUGINGO BUDASHIRA**

ICIRWA CA 60

**Yoh. 5:1-18**

Ijambo ngenderwako**. « *Kandi nta wundi agakiza kabonerwamwo ; kuko ata rindi zina musi y'ijuru ryahawe abantu dukwiye gukirizwamwo.* Ivyak.4 :12**

**I.** I**ntangamarara.**

Uyu muntu yararwariye kuri iki kidengeri, ntihabonetse n'umwe yomutabara. Yesu yamusavye kumvira iki kimwe gusa. « Kwikorera ikirago ciwe akigira » ugukira gucakuboneka ubwo nyene. Aramubwira ati urakize ariko ntube ugisubira gukora icaha.

**II.** Y**esu umwana w'Imana**

Yesu yari umwana w'Imana koko. Ubwa mbere bibonekera mu kugene yarangura ibikorwa vya se n'ishaka ryinshi. Dusomye kuva k'**umur wa 17-21** aravuga ati : « ***Data arakora kugeza n'ubu, nanje ndakora.*** » Ibi, vyatumye n'abayuda bamurwanya ngo yise Imana se. Iyo umuntu yiyizi agatahura n'igikorwa ajejwe koko, akemanga amageragezwa ntaneshwe, ntakibuza ko ashirwa hejuru. **Yoh. 9:4.** « *Twebwe dukwiye gukora ibikorwa vy'uwantumye hakibona ; buhava bwira ata wugishobora gukora*. » birakwiye ko umuntu akora ico cose ashoboye mu gihe amagara akimukundiye kuko haraho agera akipfuza n'uwomuha akaryo gato cane ngo akore igikorwa c'Imana bikamwankira.

Ubwa kabiri, Yesu niwe atanga ubugingo. **Yoh. 5:24.** Uwufise ubugingo budashira ni uwumva ijambo ry'umwami Yesu. Uwo, ntazoshirwa m'urubanza kandi aba avuye m'urupfu agashirwa mu bugingo.

**III. Intumbero y'urugendo rwa Yesu i Yerusalemu.**

Biraboneka ko Yesu yafashe uru rugendo afise intumbero zibiri.

1.Yashaka gushitsa ivyagezwe. Kwitabira iri koraniro vyari vya ngombwa nk'umurongozi mwiza.

2.Yashaka kuvuga ubutumwa bwiza. Urugendo rwose yakora yaba ashaka ko ruza kumufasha mu gushitsa ico Data yari yaramutumye. Mumisi mikuru bene iyi, abantu bavuye mu mihingo myinshi, barakoranira i Yerusalemu bazanywe no gusenga. Uyu musi waherukira iki gikorane c'imisi irindwi, Umwami Yesu yarabona ko basubiye inyuma uko baje. Inyota yabatumye kuza mu gikorane, bayisubiranye inyuma. Niho yaca ahaguruka agasemerera ati : « *Namba hari uwufise inyota, naze kuri jewe, anywe. Uwunyizera ; inzuzi z'amazi y'ubugingo zizotemba ziva mu nda yiwe*» **Yoh. 7 :37-39**. Kubamwakiriye, inyota y'ivy'isi irabaheramwo, bakama baharanira kuzokwibanira n'Umwami wabo. Bene abo, iyo bariko bakorera Imana babikorana umunezero w'igitanganza.

**IV. Agakiza kabereye ku kidengeri.**

Iki kidengeri (Piscine) cari mu majaruguru (Nort-Est) ya Yerusalemu, kandi cama ho ariko ugukira kwashoboka iyo umumarayika w'Imana yaba aje akazikurura ayandi mazi akayatera kunyiganyiga cane. Imana yakoresha ibiboneka kugira batahure igihe ca Kristo cariko kiraza.

Ku gitangaza cose, Imana Yama ifise umugambi wo gucungura umutima w'umuntu. Iki gihe, yavuze ijambo rimwe gusa, umurwayi aca arakira. Inzira z'Imana mu gushira mu ngira ikintu icarica cose, ntawoziserangura. Nico gituma yitwa IMANA. Abashoboye gupima aya mazi, kimwe namwe Namani yogamwo muri za laboratoire ; ntibashoboye kubonamwo umuti washobora gukiza inrwara zose nkizo abari ngaho bose bari barwaye. Ni Imana ubwayo yakiza.

**V. Imana ikora ico ishatse mu gice ishakiye.**

Hari umugani wakwiye isi yose uvuga ngo « Yaje gukiza abatokwikijije » kuri ico kidangeri hari abaharwariye benshi kandi inrwara zitari zimwe. Yesu abona uyo umwe ahamaze imyaka mirongo itatu n'umunani aba ariwe yegera abandi arabarengana. Aramubaza ati : « Wumva ugomba gukira ? » amajambo

yamwishuye, yerekana ko yaratanguye kuduza ukwizera muri we. Yesu aramubwira ati : « Va hasi, ikorere ikirago cawe, ugende. »

Abandi barashoboye kwibaza bati, Ibi bibaye ni ibiki ? arakize kandi ata mazi yazukurutse ? uyo mugabo ni nde ashoboye kumukiza ? ibibazo vyinshi. Ninde yosigura icatumye ariwe acagura gutabara ? Imana ikora ico ishatse k'umuntu ishatse, mu gihe ishakiye. Ingabire y'agakiza ni k'ubuntu. Iyo ufise ikibazo, senga wihanganye, ntucike intege, k'umusi wawe uzobona agusanga, agutabare.

**VI. Abayuda bashaka kwica Yesu.**

Abayuda babona ko bakwiye kwica Yesu, atari uko ahonyanze isabato gusa ; ahubwo ngo yiyise umwana w'Imana. Ibi yakoze ntivyari binyuranije n'ivyagezwe n'Imana ; ahubwo vyari binyuranije n'imigenzo yabo. Aha Yesu yari yiyizi ko ari Imana, nta kosa kuba yiyise umwana w'Imana

Agakiza karatandukanye n'imigenzo y'umuntu canke y'ishengero. Ntibitangaje ko abenshi bokwitondera imigenzo yabo canke idini ryabo ; ariko bataratsindanishirizwa ngo bezwe n'amaraso ya Yesu Kristo. Abo naho babonetse neza imbere y'abantu, nta ngabire y'ubugingo budashira bafise.

**VII. Ubugingo budashira bubonerwa muri Yesu.**

Uwari kuri iki kidengeri yakijijwe indwara yongere ahabwa ubugingo budashira. **I Yoh.:5:12** « Uwufise Umwana wayo ni we afise ubwo bugingo ; uwudafise Umwana w'Imana ntafise ubwo bugingo. » turibuka ko yabwiye Marita ati : « Ni jewe kuzuka n'ubugingo ; uwunyizera n'iyo yoba yarapfuye, azobaho » **Yoh. 11:25.** Kugira avyerekane ; yaciye azura Lazaro abaho nyuma y'imisi ine ari mu mva.

**VIII. Gushira mu ngiro**

Ubugingo budashira, butandukanye no kubaho ibihe bidashira. Umuntu wese yabaye kw'isi ; azobaho ibihe bidashira ariko si bose bazoronka ubugingo budashira. Igihe co kuza kwa Kristo, abantu bose bazozuka. Abakoreye Imana bace baja kubana na yo mw'ijuru ry'amahoro ibihe vyose. Ubu nibwo bugingo budshira kandi ababufise, babufise n'ubu bakiri aha mw'isi. Abakoze ibibi nabo bozoja kubana na Satani mu muriro utazima ibihe vyose. **Ivyah. 14:11 . «** *Kandi umwotsi wo kubabazwa kwabo upfunduka ibihe bitazoshira, ntibaruhuka*

*k'umuirango no mw'ijor, abasenze ca gikoko n'igishushanyo caco, umuntu wese yemeye gushirwako ikimenyetso c'izina ryaco.* » Uru nirwo rupfu rwa kabiri.

Woba ufise ubugingo budashira ? ukaba wumva ugikekeranya, ico nico kikwemeza ko utabufise. Hamwe n'ivo ; ivyizigiro biracariho. Yesu arakurindiriye ubu nyene kuko ata wundi agakiza kabonerwamwo ; kandi nta rindi zina musi y'ijuru ryahawe abantu dukwiye gukirizwamwo atari iryo rya Yesu. Niba uvyipfuza ; wohagoruka ubu nyene ugasenga aragutabara naho zoba inrwara arazigukiza.

**JESUS AND HIS FATHER ARE ONE**
**John 5:15-23; 31-40**
Lesson 94
Memory verse: "H*e who has seen me Me has seen the father."* **John. 14:9**

**YESU NA SE NI UMWE.**
Icirwa ca 94
**Yohana 5:15-23; 31-40**

Ijambo ngenderwako : « ***Uwubonye jewe aba abonye Data***. » **Yoh. 14:9**

## I. Intangamarara

Imirongo ya mbere muri iki gice irerekana ingene Yesu Kristo yakijije uwari arwariye ku kidengeri. Ibi vyatumye abayuda bashaka kumwica. Aha ngo ni uko yakengereye isabato, agatako akiyita Imana ko ari se bwite, akiringaniza nayo. **Umur wa 18.**

## II. Yesu na se ni umwe.

Yesu aravuga ati : « **Jewe na Data turi umwe.** ». Hari inzira tuboneramwo uko kungana kwa Yesu Kristo na Data.

•Umurongo wa **17** : Data arakora kugeza n'ubu, nanje ndakora. Iri jambo ryereka ko ububasha bwa Yesu bungana n'ubwa se. Soma umurongo **wa 19.** Aha Kristo ntiyerekana ko adafise ububasha nk'ubwa se ; ariko yerekana ubumwe bafitaniye. Hama hari ubumwe budasanzwe hagati y'abaperesona batatu : Imana Data, Umwana na Mpwemu Yera.
Ntaco Data akora ahishije Umwana, ntaco Umwana akora ahishije Mpwemu Yera na Mpwemu Yera ntaco akora batabizi. Ijuru n'isi mukuremwa; umuntu mugucungurwa, wabaye umugambi w'ijuru. Ariko vyose bikorerwa m'urutonde.

Data niwe nyen'ubutware. Yicaye mu ntebe y'ukuganza. Arafise ivyo ashaka ko biba kw'isi no mw'ijuru. Bishirwa mu ngiro na Kristo na Mpwemu Yera.

Yesu Kristo ariho ni umuvugizi w'ijuru. Niwe Jambo. Ariko na Data canke Mpwemu Yera baravugana n'abantu. Ni Uhoraho, yabayeho vyose bitarabaho. **1 Kolosay 17** : « *We Yabayeho vyose bitarabaho, kandi muri we vyose niho bifataniye. »*

Umugambi w'Imana wo gucungura abantu, rwari urugendo rurerure. Washizwe mu bikorwa na Yesu Kristo. Umur **wa 21** ; *« Nk'uko se azura abapfuye akabaha ubugingo, niko n'Umwana aha ubugingo abo agamba. »*

Mpwemu Yera m'ubufatanye na Data na Yesu kristo ahari ngo afashe abana b'abantu gutahura no gushira mu ngiro ijambo rya Jambo uko yaryigishije. Ni umurariririzi w'umugeni wa Kristo. Niwe mufasha wacu.

Ikibanza c'umuntu muri ubwo butatu ni uko ari ikiremwa c'Imana. Ibirengeye ivyo, ni uko abemeye kwakira Yesu Kristo baronse ububasha bwo gucika abana b'Imana. Bategurirwa ikibanza co kuzobana nawe mw'ijuru inyuma y'urupfu rwo m'umubiri. Imana niyo se.
Igihe umwana yavutse ntamenye se, asazana agahinda. Ariko ababo barazi se wabo nawe arabazi bose kandi arabakunda.

## III. Ibintu bitandatu bishingira intaha Yesu.

**1. Ijambo** : Umur wa 31 : « Asanga nishingira intahe, intahe yanje ntizoba ariyo ukuri, » ijambo rya Yesu avuga riramushingira intahe.

**2. Yohana Umubatizi** : umur wa 33 na 35 « Mwebwe mwatumye kuri Yohana ashingira intahe ukuri. » Ni ukuri ntawoterwa n'ugukekeranya.
Vyari bizwi ko atawundi yemererwa guharira ivyaha vy'abantu atari Imana, ariko Yohana yavuza ati « ng'uyu umwagazi w'intama w'Imana ukuraho icaha c'abari mw'isi. » **Yoh.1 :29** kandi Yesu Kristo yahariye ivyaha vy'abariho n'abavutse nyuma y'urupfu rwiwe bakemera kumwakira.

**3. Ibitangaza.** Yesaya yaravuze ko igihe Mesiya azozira impumyi zizohumuka, abacumbagira bakagende neza, abapfuye bazuke. Nivyo Yesu yabwiye uwari arwariye kukidengeri. Ikorere ikirago cawe ugende. Umur wa **8.** Ibi vyari bitandukanye n'ivyo abarongozi b'idini bakora. Yesu ni Mesiya.

.**4. Imana Data :** Umur. **wa 37.** Kandi Data yantumye niwe anshingira intahe. Imana Data yaranashingiye intahe Yesu ko ariwe kristo bari k'umusozi aho yakayanganao. **Mat.17**

5. **Ivyanditswe :** Umurono wa 39 urerekana ko yesu Kristo ariwe Mesiya.

**6.** Bamwe mubakuru b'idini : Nkodemu yayaze na Yesu, arizera, amushingira intahe. Mu nyuma Abaherezi barumviye ukwizera bashingira intahe Yesu. **Ivyakoz. 6:7**. «*Nuko ijambo ry'Imana rirarwira abigishwa barongerekana cane i Yerusalemu, n'isinzi ry'abaherezi bumvira ukwizera* »

**IV. Ni kuki abantu batemera kwakira Yesu kristo ?**

Agakiza kari nivyo gasaba kwihebera. Pawulo yandikiye ab'i Filipi
**Ab'I Filip 3:7** « *Ariko ivyahora bimbera inyungu ndavyiyumvira ko ari ubuhombe kubwa Kristo.* » kugira ngo wakire kristo mu bugingo bwawe, biragusaba kubona ibintu bimwe bimwe vyawe nk'ubuhombe.

Woshoboye kudandaza ibiyayura mutwe kuko birunguka, wokoze forode nk'abandi, wocishiijemwo ugasambana nk'abandi, wokwihebeye politike nkuko abandi babikora… ariko kubwa Kristo bigusaba kubireka. Uku nikwo kwikorera umusalaba ugakurikira yesu.

Ibi nivyo bituma, ab'isi batakira Yesu Kristo nk'Umukiza n'Umwami w'ubuzima bwabo. Banka kuvirira ico bise ibinezero vy'isi.

## V. Gushira mu ngiro

Umugambi w'Imana ku bantu ni uko bose bohinduka abigishwa ba Kristo ; bagakira urubanza rw'urupfu ; bakazorarwa ubugingo budashira. Ntacogutuma uguma werekeza ubuzima bwawe mu rwobo rw'urupfu. Yesu aracagukunda.

Hamwe woza kuri we ; uzotahura ko ijuru rigukunda kandi ko Yesu Kristo ariwe mwagazi w'intama yiciwe abanyavyaha kubw'ivyaha vyabo. Ni umukiza, yama yiteguye gukiza abamwemeye, atari kubakiza umuriro udahera gusa, ariko abahe ubugingo budashira bazobane nawe mw'ijuru. Babone Data, Yesu na Mpwemu Yera amaso muyandi ibihe bidashira. Nawe ngwino Yesu arakurindiriye.